*Kigarama 2022* *kirundi*

# „ … abana natwe !“

(Yohani 1,14b)

**Kontakt:** Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

**Yezu ashaka kugushikira!**
**Jesus wants to reach you!**

Bakunzi ba go4peace,

Muri uyu mwaka twarasangiye hamwe urugendo rwo kumenya utuntu n’utundi. Twararondeye Yezu ashaka kuba hagati yacu. Ukwo kubona ko Yezu inyuma y’urupfu rwiwe hano kw’isi yagumye ari muzima, bishingirwa intahe na benshi : Mariya Madalena, Mariya Nyina wa Yezu, Petero, Toma eka mbere n’abandi benshi. Iyi nkuru y’izuka rya Yezu ni iy’ibihe vyose. Ishaka ko umwe wese yoyigira rwiwe. Niho rero mu mpera z’uyu mwaka twokwibaza tuti : mbega jeho ni ryari nategereye iyo nkuru, ngatahura ko Yezu n’aho ataboneka ari hagati yacu?

Nshaka kubasabikaniriza ivyanshikiye : Mu gusozera ikambi yacu y’uyu mwaka, twarahwaniye mw‘isengero n’abandi baje mw’ikambi baturuka muri Ukraine. Narabashimiye ku rukundo be n’ukwitanga bari berekanye mw’ikambi. Narababwiye nti erega muri rurya rukundo, ni Yezu we nyene yariko arakora, kuko ari rukunndo. Ku mugoroba bwije, niho umwigeme wo muri Ukraine yahava akanyandikira ati : „ndakengurutse cane igihe ciza twamaze hano. Narumvise amahoro mazima muri jewe. Nzosubira muri Ukraine mfise ingoga nshasha, mbere niyumviriye ko noshimye kwigumira hano kuko nahasanze ubuzima ntari bwigere mbona“.

Nawe rero yagira abagenzi bawe akanya woba warigeze kumara, wumva ko ukorakoye Imana n’aho itaboneka. Erega ivyo bikeneye umwete. Ariko kandi ubishatse wonadusangiza natwe ivyagushikiye hano muri „go4peace“ mu gufyonda harya handitse ngo „découvrir et écrire“.

Toma niwe atuyagira ati : „Kuri jewe harangiye umwaka udasanzwe. Naraciye mu bintu vyinshi bihimbaye eka no mu bitari bike bigoye. Igihe cose naba ngeze mu bigoye, nama nca nibuka ko ntegerezwa gukunda, cane cane aho nyene bigumye. Ivyo napfa kubigira uko nyene. Kenshi numva ko Yezu ariho ari. We yaba avutse gushasha kubera urukundo. Kandi ni We yampa umuco wo gutera intambwe ikurikira. Erega iyo niyo Noeli. Yezu yaraje abana natwe. Kandi ni We ashaka n’uno musi kubana natwe**. Yezu ashaka kugushikira! Jesus wants to reich you!** – Ndabipfurije rero mwese Noeli nziza kandi nyeranda. Ese yovukira igihe cose gushasha hagati yacu mu mpande zose z’isi. Tugume dufatanye mu nda!

Kubwa go4peace Meinolf Wacker